# ITANGAZO

Urwego rujejwe gukurikirana itunganywa ry'ibisata vy'Amazi meza n'Amasoko ntanganguvu (AREEN), rwisunze ibwirizwa Nomero 1/05 ryo kuwa 22 Ntwarante 2024 rihinyanyura ibwirizwa Nomero 1/13 ryo kuwa 23 Ndamukiza 2015 risubiramwo itunganywa ry'igisata c'umuyagankuba mu Burundi, ruramenyesheje abakorera mw'ivyo bisata ibi bikurikira:

1. Umuntu wese canke ishirahamwe rifise umugambi wo kurwiza umuyagankuba kunvo zo kuwukoresha ibikorwa vyiwe canke kudandaza ko ategerezwa kubimenyesha Urwego AREEN kugirango rumuhe intumbero ategerezwa kwisunga mukurangura uwo mugambi;
2. Abamaze kurangura imigambi ijanye no kurwiza umuyagankuba batimenyekanishije canke babikoze bataronse ibisabwa n'amategeko, basabwe kubikora nkuko ibwirizwa twavuze aho hejuru ribitegekanya mu ngingo yaryo y'197 ;
3. Kubakoze bino bikorwa inyuma y'uko iri bwirizwa twavuze aha hejuru rigiriye mu ngiro, bahawe ikiringo ntabanduka c'amezi atatu (3) uhereye kw'iri genekerezo itangazo rishiriweko umukono ;
4. Iri tangazo ryega abo bose bakoze canke bashaka gukora ibikorwa vyo kurwiza umuyagankuba ku ngero zose zitegekanijwe n'ibwirizwa twavuze aha hejuru ;
5. Uwutazovyubahiriza azohanishwa ibihano bitegekanijwe mw'iryo bwirizwa mu ngingo zayo ziri mukigabane ca XVII gitegekanya ibihano bijanye n'igisata c'umuyagankuba ;
6. Uwufise ico abaza, yoterefona ku nomero +257 22279515 canke ugashika aho ugo rwego rukorera « Avenue JRR, Immeuble le Savonneir, N°17 ».

Bigiriwe i Bujumbura, kuwa …10…/…11…/2025

**UMUYOBOZI MUKURU W'URWEGO AREEN**

**Gabriel HAKIZIMANA**